
# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije

# Umusamariya W'imbabazi



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
M. Maillot; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




"Mwigisha! Nkore iki kugira ngo nzohabwe ubugingo budashira?" Umuntu yabajije iki kibazo, yariko agerageza guhenda Yesu. Yesu aramwishura ati:




"Itegeko ry'Imana rivuga iki?"



Uwo muntu arishura ati: "Ukunde Imana na Mugenzawe. Ariko mugenzanje ninde?" uwo muntu abaza Yesu.
3



Mukwishura ico kibazo uwo muntu yari abajije, Yesu amubarira inkuru y'umuntu yari m'urugendo ava I yerusalemu aja I Yeriko. Uwo muntu aca aterwa n'abasuma.
4


Abasuma bamutwara ivyo yari afise vyose, baca batwara n'impuzu z'iyo ngenzi. Baramukomeretsa bikomeye, bamusiga kunkombe y'ibarabara agira apfe.
5


Kugihamana, umuherezi arahaca. Atankeka, aca afasha uwo muntu yakomeretse. Oya! Abonye uwo muntu ariko ava amaraso,
aca aca k'urundi ruhande rw'ibarabara.
6


Mukanya gato, humvikana ko hari uwundi muntu ariko ararengana agira ahace. Yari umulewi-umuntu yafasha abaherezi munzu y'Imana. Aja kuraba uwo muntu yakomeretse, aramuraba, hanyuma
aca yibandaniriza urugendo rwiwe atamufashije.
7


Munyuma umusamariya arashika. Abayuda baranka abasamariya. Abariko bumviriza iyo nkuru ya Yesu ntibiyumvira ko umusamariya yoba umuhizi. Ariko yari we. Umusamariya agirira impuhwe
uwo muntu, aca arahagarara kugira ngo amufashe.
8


Umusamariya arafukama ahanagura buhorobuhoro ibikomere vy'uwo munyamahanga kandi aca aramufuka ivyo bikomere. Maze aca amwuriza kundogoba.
9
Munzu y'ingenzi, umusamariya aca yitwararika ivyo uwo muntu akenera vyose ijoro ryose.
10
Umusi ukurikira, umusamariya ariha nyene inzu kugira ngo azokwitwararike iyo ngenzi muvyo izokenera gushika ikize.
11
Inkuru iba iraheze. Yesu arabaza ati: "Ninde yabaye mugenzi w'uwatewe n'abasuma?"
12
Wamuntu yamubaza aca aramwishura ati: "Umusamariya, niwe yabaye mugenziwe."
13
Yesu aramwishura ati: "Genda, nawe ukore gutyo". Mugenzawe ni umuntu akeneye uwomufasha. Ivyo biranezereza Imana iyo umuntu afashije abandi.
14

Umusamariya W'imbabazi

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Luka 10

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130






46

60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16